

# INTAMBUKO ZIKWIRIKIRA Facilitator Notebook

## Intambuko 5 | Kwumvirizwa Abana

© Loom International 2025

LOOM INTERNATIONAL | 2019 | PORTLAND, OR

# INTAMBUKO YA 5 UMWIHWEZO:

Kugira abana babeho ubuzima Imana yabateguriye, ivyiyumviro vyabo, ubwenge n'inkuru bitegerezwa kwubahwa no guhabwa agaciro. Abana barayaga cane natwe ariko ntitwama turiko turabumviriza igihe cose. Kuyaga kwabo ntikwama buri gihe ari ukw'amajambo, kenshi na kenshi ni mu nyifato. Kwumviriza abana biragaragaza ko twizera ko bafise iteka hamwe n'uruhara ntangere rwo guterera mu Bwami bw'Imana.

### Intumbero z'Icigwa:

Abitavyuruganda bazo:

- Kwiga akamaro n'inyingu vyo kwumviriza abana
- Kwiga gushiramungira impano hamwe n'inyifato bikenewe kugira abe uwumviriza mwiza ku bana no kubatera intege
- Kwiga gufata abana mw'iteka n'icubahiro uhimiriza cane abana ku kwumviriza hamwe no kugira uruhara mwifatwa ry'ingingo zibaraba

---

### Inkikuro:

I. Kuberiki kwumviriza?
II. Mbega Bigenda Gute Igihe Tutumvirije
III. Ni Gute Twumviriza
IV. Ishirwamungiro - Nizahe ntambuko uzofata?

---

### Imyiteguro y'Imbere y'Icigwa:

Uzokenera gutegura ibikorwa bikwirikira imbere yuko icigwa gitangura. Soma ico gikorwa maze wegeranye ibikoresho ushobora kwifashisha mu kurangura ico igikorwa.



## IGIKORWA CO MW'ISOMERO #1 | URUPAPURO 84

**Uruhome rw'Amatafari ku Kwumviriza**
Muriki gikorwa, abitavyuruganda bazokwihweza inyifato n'ibinyoma bizera bibabuza kwumviriza abana, vyemerera abana kuvuga, maze abana bakagira uruhara.

Uzokenera urupapuro rungana n'imetero 1 y'ubwaguke kugira abana bamadikeko "amatafari" yabo.

**Iyotwerekeza:**

- Katagura urupapuro mu buringanire "bw'udutafari".
- Siga kuntebe y'uwitavyuruganda wese itafari rimwe canke abiri imbere yuko inyigisho zitangura.

## IGIKORWA CO MW'ISOMERO #2 | URUPAPURO 88

**Umwana ashobora kuvuga ati Uwumviriza Neza ni…**
Imbere y'icigwa, andika amungane akwirikira ku duce tw'urupapuro twagutse bihagije kugira abitavyuruganda bashobore gusoma bicaye maze udushire irya n'ino mw'isomero.

Abana baravuga bati uwumviriza neza n'umuntu:

- yumvirizanya ubwira kandi akwitaho.
- yipfuza kwumva ivyo ufise vyo kuvuga.
- Akuraba ata gitsure
- aguha ico wihanaguza kugira umenye ko vyari bikwiye kurira.
- Ntiyigirisha kandi n'imvugakuri
- ntagucira urubanza ariko arakwemera.
- agerageza kubona isi nkuko uyibona n'ingene uyiyumvamwo.
- agumana nawe umwanya uhagije kugira wiyumve.
- ararindira ukamusaba imbere yuko "yinjira mu" vyiyumviro vyawe no mu bigumbagumba vyawe
- arakureka ukaguma winyegereye igihe cose utiteguye gusohoka.

## IGIKORWA CO MW'ISOMERO #3 | URUPAPURO 90

**Ni gute bumviriza agakino?**
Imbere yuko mutangura icigwa, hitamwo ukuntu woganiriza abitavyuruganda ibijanye no kwumviri-za kutarashe, kurashe nukw'impuhwe. Gukoresheje agakino mu cigwa birahimirizwa ariko ibi bisaba ko ubufise abantu benshi.

## IGIKORWA CO MW'ISOMERO #4 | URUPAPURO 95

**Nta nzira zo gukankama mu gutangura kuvuga**
Kubw'iki gikorwa, uzokenera ipake y'imbombo z'amabara nka tofe.

## IGIKORWA CO MW'ISOMERO #5 | URUPAPURO 96

**Vuga kandi Ukine**
Kubw'iki gikorwa ,uzokenera imeza yuzuye udukinisho dutandukanye: udukoko dutoduto, imiduga, ibipupe, imipira, ibumba, udutafari n'ibindi bikinisho vyose ushobora kwegeranya.

# IGIKORWA C'ISOMERO #6 | URUPAPURO 96

**Kahise,kubu,kazoza**
Mu ntumbero yo gufasha abanyeshure gutahura ivyo bitezweko mw'iki gikorwa ,birafasha cane iyo umufashanyigisho atanze uburorero buvuye mu buzima bwiwe .


Muri iki gikorwa ,uzokenera urupapuro rwagutse (11 x 17 canke A3) na marikere n'amakereyo.



## Ivyongeweko n'amasoko:

1. Kahise, Kubu, Kazoza

# INTAMBUKO ZIKWIRIKIRA – INTAMBUKO 5




## Kuberiki kwumviriza?


Ubwambere - iyumvire ibintu vyagutera kumwenyura, vyakunezereza canke guhimbara mundwi nke ziheze...

**Iyotwerekeza:**


- o Saba abitavyuruganda kwiyumvira ikintu cabatwengeje mund-wi 2 ziheze maze Hindukirira kuri bagenzi babo maze bavuge inkuru y'iminota 2 ijanye nico gikorwa.
- o Mu gihe bahejeje, babaze ibibazo bikwirikira.

**Baza:**

- o Woba wiyumvise nkaho mugenzawe yariko yumviriza?
- o Ni gute wamenyeko bariko barakwumviriza?
- o Mbega vyoba vyari bifise agaciro ko bakwumviriza? Kuberiki?
- o Woba wumvise wubashwe? Wahawe icubahiro?





Imvo nyamukuru yo kurema umuntu hamwe n'ibidukikuje vyo mw'isi ni agaciro k'Ubutatu n'umunezero w'imigenderanire n'ugutumanako. Abantu baremanywe inyota nyamukuru y'ubucuti hamwe no kuganira.




Ni kamere z'Imana guha umwana abantu no kububaha hamwe no kubumviriza. Ni kamere y'Imana kandi ko witega kwumvirizwa.

Ikiremwa Muntu cose caremewe kwumvirizwa no kwumviriza. Niyo nzira yonyene kuri twebwe yo kuronka ubuzima busagutse Imana yaduteguriye.





## CLASS DISCUSSION

Baza ibi bibazo umurwi wose - Bangira abantu bakeya batange inyishu ngufi ku kibazo 1 canke kuri ivyo bibazo vyose unganira wemeza inyishu zabo.

**Vyoba bimeze gute igihe wumva utumvirijwe -**
Nk'umuntu akuze, wiyumva gute iyo utumvirijwe? N'umugenzi, uwo mukorana, umukoresha, umwana?

- o Nk'umwana, woba wibuka igihe nawe utumvirijwe? Warumerewe gute?
- o Nk'umwana ,waciye uheba kuvuga?

Inyishu z'uko twiyumvise muri twebwe igihe tutumvirizwa ni yo nyishu y'ukuri kubera ko twaremwe ngo twumvirizwe.




### Kubera iki dutega amatwi?

Umutwaro w'abana gushaka kwumvirizwa urakomeye cane. Ni ikintu ca nkenerwa mu gukomeza ibigumbagumba vyabo, ubwonko, imigenderanire yo mu kibano hamwe no kwiyumva ko bafise akamaro mw'isi. Nkuko twavyize mu vyigwa vya mbere, kugira ubwacu twubake ivyiyumviro, umubiri n'impwemu bizima burimuntu akwiye Kuduhagaciro, kutwubaha no kuduhereza ukwitabwaho dukeneye mu ntambuko zitandukanye zo gukura. Kwumvirizwa no kwiga kwumviriza birahingura ubwenge, ikibano, ibigumbagumba kugubwaneza muri mpwemu vy'umwana.




Twumviriza abana kugira dukuze indangamuntu n'ubuzima Imana yabateguriye, ivyiyumviro vyabo, n'intererano zabo hamwe n'inkuru bitegerezwa guhabwa agaciro kandi bikishurwa.

Ibuka Intumbero ya Bibliya Ukuri #1___Imana yaremye umuntu wese nk'umwana afise agateka.

Abana bose baremwe mw'ishusho y'Imana n'agaciro kangana n'akabakuze ariko igikenewe nyamukuru ni kubakingira no kubarera.

Agateka, agaciro ni icigwa kibandanya mu bijanye n'imigambi y'Imana ku bana.